# REPUBURIKA Y'UBURUNDI

## IBIRO VYO KUMENYESHA AMAKURU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

Ntare House Communications
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

## ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU

Kuri uyu wa 25 Kigarama, umusi duhimbaza ivuka rya Yezu Kristu, Umukuru w'igihugu c'Uburundi Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye, yifadikanije n'abakristu ba Paruwasi Kristu Mwami yo ku Mushasha ku murwa mukuru w'intara ya Gitega.

Mw'ijambo yashikirije imbere y'uko inkuka ya misa itangura, yabanje kwipfuriza aba Kristu b'iyo paruwasi eka mbere n'Abarundi bose umusi mukuru mwiza wa Noheri. Yabamenyesheje kandi ko anezerewe gusangira igisabisho nabo kuri uwu musi udasanzwe mu buzima bw'abakristu. Yamenyesheje kandi ko ari vyiza kubona iyi Noheri ihimbajwe Abarundi bari mu mahoro n'umutekano.

Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye yasavye ko ivuka rya Yezu Kristu ryobera Abarundi akaryo ko kubandanya bakomeza urukundo n'ubumwe mu miryango no mu kibano, ati kukaba nkako kubera uwo Mukiza urukundo n'ubumwe biramaze gutsimbatara mu gihugu c'Uburundi.

Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye yamenyesheje kandi ko Reta Nkozi, Reta Mvyeyi, Reta Nsenzi igizwe n'indongozi zishira imbere ubumwe n'urukundo kugira babandanye batunganiriza abenegihugu nk'uko bitegerezwa.

Umukuru w'igihugu c'Uburundi yaboneyeho akaryo ko gukengurukira Nyakubahwa Simoni Ntamwana, Umwungere wa Diyoseze Nkuru ya Gitega ku kuntu adasiba guhamagarira Abarundi kugira ubumwe n'urukundo. Ati: "Biciye m'ubumwe n'urukundo vyose birashoboka". Sebarundi yasozereye indamutso ziwe za Noheri asubira kwipfuriza abarundi iyo bava bakagera Noheri nziza, no kuyihimbaza mu munezero n'akanyamuneza nta ngere.

**Amb. Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*